# AKIRANA YEZU KRISTO
# UWINJIRE MU BWAMI BW'IJURU
(Amasengesho yo kubohoza n'amaraso ya Yesu)

Kaze mu bwami bwo mw'ijuru bwa **Yesu Kristo w'Inazareti** nk'Umwami n'Imana nzima.Yesu Kristo niwe wenyene nzira y'ukuri ijana mw'ijuru **(Yohana 14:16).**Muve mu buzima bw'icaha, muhindukirire Umwami ubu nyene,Ishengero ryera ry'Umwami riri mu kuduzwa.Mwinjire mu Bwami bw'Ijuru Ishengero ritaraduzwa.Twacunguwe ku giciro kiruta izahabu ku **musaraba**, turonka ububasha, inkomezi n'ubushobozi bwa **Kristo Yesu (ububasha bw'umusaraba n'amaraso ya Yesu)** yamenetse ku musaraba **(1 Kor. 6:19-20).** Amaraso ya Yesu yaduhaye ububasha bwo kunesha intambara n'ukwidegemvya, kure y'ukuhohoterwa n'iminyororo y'umugwanizi. Ubu rero, umugwanizi nta bubasha canke ubushobozi adufiseko, twaronse ububasha bw'ukunesha kubw'amaraso y'Umwami wacu Yesu Kristo **(amaraso y'Umwagazi)**. **Ivyah. Yohana 12:11.**

Ishengero ryera ry'Umwami riri mu kuduzwa rikurwe mw'isi **(iduzwa ry'Ishengero)**, reka ivyaha, akira Yesu Kristo ari mu kugaruka gutora abera biwe yacunguye ku musaraba. Ndabahezagiye mw'izina ry'Umwami Yesu Kristo n'umukiza w'ubugingo bwacu.

**Imana ibahezagire**.
**Petrida Karch.**

# IBIRIMWO


Ubwami bwo mw'ijuru kw'isi ............................................4

Amasengesho kugira ngo wakire Yesu .............................5

Amategeko y'Ubwami bw'ijuru ..........................................6

Inyungu zo gukizwa / kwemera Yesu ................................7

Isezerano ry'amaraso ya Yesu n'ubushobozi
bw'umusaraba kuri kiremwa muntu ...............................10

Ubushobozi bw'amaraso ya Yesu ku bantu ....................12

Ubushobozi bw'umusaraba wa Yesu ku bantu .............13

Amasengesho yo kubohoza iminyororo (imvuto)
y'umurwanizi n'ingwara z'uburyo butandukanye .......15

Ubutumwa  Bwanje kuri Mwebwe ....................................19

## UBWAMI BWO MW'IJURU KW'ISI

Isi yaremwe kugira ibe urukurikirane rw'Ubwami bwo mw'ijuru mugabo mu buryo buboneka. Imana n'ijambo mw'ijambo ryayo, yaremye ijuru n'isi ni nayo mpamvu nkuru ituma twemera ko ijambo ry'Imana ari Imana ubwayo. Ijuru n'iry'Imana, isi yayihaye abantu nico gituma, kubwo ijambo ryayo, yaremye umuntu (Adamu na Eva) kugira ngo Imana iganze isi biciye mu bantu nk'impwemu zayo zihoraho, **Matayo 25:34.**Abantu bahawe ububasha bwo kuronka, no gutwara isi nk'abana b'Imana **(Itanguriro 1:26-27; Zaburi 115:16).** Icaha catumye umuntu atakaza ububasha n'ubutware bwo kuronka hamwe no kuganza isi. Icaha catumye haba ukwigaragamvya kw'Ubwami bw'Imana aha munsi, haca haza iyindi ntwaro idasobanutse y'umwiza. Umuntu wa mbere yabayeho mw'itongo rya Edeni ryagereranywa mu buryo bw'impwemu nk'Ubwami bw'Imana aha kw'isi, ariko umuntu amaze gucumura akarya icamwa co hagati mw'itongo bakoze icaha kibatandukanya n'Imana, n'imigenderanire yabo n'Imana yaratosekaye. Icaha catumye haba ukutumvira **(ukugarariza)** canke mu kugenda mu nzira zitajanye n'amategeko y'Imana. Icaha casambuye isezerano ry'Imana n'umuntu (isezerano ryo kwitwa Umwana w'Imana canke Umwana w'Ubwami). Ukwihana no guharirwa kwagarukanye ubwo bwami bwo mw'Ijuru aha kw'isi n'amategeko nkuko vyari bimeze ubwambere biciye muri Yesu Kristo. Nico gituma, mu rukundo rwayo, yamaramaje kurungika Umwana wayo w'ikinege mw'isi kugira ayicunguze amaraso yiwe, **Yohana 5:9-10.** Ubwami bw'Imana bwagarutse mw'isi biciye muri Yesu Kristo nk'Umwami na Yehova nk'Imana **(Imana Ihoraho y'Amajuru).** Uburyo bwonyene bwo kwongera gushiraho ubwo bwami n'ukwihana **(uguharirwa n'agakiza**), **Matayo 4:17.**

***kuva ubwo yesu yatanguye kwigisha avuga: "Mwihane kuko Ubwami bwo mw'ijuru buru hafi".***

Yesu n'inzira y'ukuri n'ubugingo, ntimushobora kwinjira mu Ubwami bwo mw'ijuru mutatuye Yesu Kristo nk'Umwami n'Umukiza w'ubugingo bwanyu.

Dusangire hamwe iri sengesho n'ijwi rirenga kugira ngo mushobore kwakira Yesu Kristo w'i Nazareti no kwinjira mu bwani bwiwe bwo mw'ijuru **(Ubwami buhoraho).**

✞

## AMASENGESHO
## KUGIRA WAKIRE YESU – KUROKOKA

Data, mw'izina rya Yesu Kristo w'i Nazareti ahoraho, Mwami Yesu; ndasavye imbabazi ku vyaha nakoze kuva mu bwana bwanje gushika ubu, futa izina ryanje mu gitabo ca gehinomu, ndihakanye Satani, abadayimoni n'impwezo zose z'umwiza, ndakwaturiye Yesu Kristo w'i Nazareti, ndakwakiriye uyu munsi nk'Umwami n'Umukiza w'ubugingo bwanje bwose, umushaha n'impwemu kuva ubu gushika ibihe vyose. Urakoze Mwami Yesu ko wancunguye, ko umpariye ivyaha n'uko umbohoye, **Amen.**

Nimba wakoze iri sengesho mu kwizera, wizere ko wacunguwe kandi ko Yesu aba muri Wewe (mu mutima wawe). Kaze mu bwami bwo mw'ijuru (aho Imana iri) mwemeye Yesu Kristo muba mwubatse imigenderanire myiza hagati yanyu, na Yesu Kristo n'Imana yo mw'ijuru kuko kubw'iryo sengesho muba muronse ibintu bitatu:

**1. Yesu Kristo**
**2. Mpwemu Yera**
**3. Ubaye umuhungu canke umukobwa w'Imana nzima kandi nawe ubaye muzima.**

Ntimugahebe Yesu, mukurikire agakiza kanyu, muzigame ukwera kwanyu Ishengero riri mu kuduzwa.

## IVYAGEZWE VY'UBWAMI BW'IJURU

Ubwami bwose bufise Umwami, amategeko n'uburyo bwo gukingira ubwo bwami. Ubwami bwo mw'Ijuru, Umwami ni Yesu Kristo, Imana yabwo ni Yehova, amategeko yabwo ari muri Bibiliya yera, inkinzo y'Ubwami irongowe n'abasirikare bitwa **Abamarayika bera.**Ubwo bwami burongowe n'ukwizera kandi uburyo bwonyene bwo kuvugana n'Imana n'abantu buca mu gusenga, iyerekwa, inzozi, ijambo ry'Imana n'inyigisho z'abigishwa biwe nyakuri. Umuntu umwe ni abantu babiri muri umwe. Abo bantu barabana, urupfu rwonyene niryo rubatandukanya; kuko hariho umuntu w'imbere n'uwundi w'inyuma. Umuntu w'imbere yaremwe mu mpwemu n'umushaha. Rero umushaha utwara impwemu, mu gihe mupfuye, impwemu irongowe n'umushaha iva mu mibiri yanyu y'inyuma igaca ija mw'ijuru canke muri gehinomu kugira murenguke mu rubanza rw'iherezo.

Isi y'impwemu igabuye mu mirwi ibiri:

- **Isi y'umuco (Ubwami bwo mw'ijuru)**
- **Ubwami bw'umwiza (Ubwami bwa Satani)**

Ijambo ry'Imana n'Imana ubwayo, ijambo ry'Imana n'inkinzo hagati y'abantu b'Imana na Satani. Amategeko y'ubwo bwami ni ibikorwa vyiza co kimwe n'ayanditswe mu vyagezwe vya Mose **(Gusubira mu vyagezwe 5:6-22).**

Umuntu w'imbere akuzwa n'ijambo, gusoma Bibiliya, gusenga, kwumviriza inyigisho z'abakozi b'Imana, kwizonzesha no gukora ibikorwa vy'ubuntu, **Matayo 4:4.**
***Yesu amubwira " Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ariko atungwa n'jambo riva mu kanwa k'Imana".***

Mumatane n'ijambo ry'Imana, ntimukareke Yesu, aho bukera azoza mw'ishengero ryiwe ryera.

Ubuhanuzi bwarashitse, ivyari vyarabuwe kera vyinshi vyarashitse, ubuhanuzi bw'Ivyahishuriwe Yohana na Danieli vyarabaye kandi vyarashitse. Umwami wacu ari mu kuza kujana Ishengero ryiwe ryera. Reka icaha hindukirira Umwami, urugi rw'agakiza n'imbabazi biruguruye, ruri mukugarwa iduzwa rizoca riba.

**INYUNGU YO GUKIZWA (UBWAMI BWO MW'IJURU)**

Abantu benshi ntibazi inyungu n'akamaro ko kwakira Yesu, nta nyungu zirihi mw'iyi nko kwakira Yesu muri wewe no kubaho muri ubwo bwami uhereye none gushitsa ibihe bidashira. Yesu niwe wenyene nzira canke irembo rijana mu bwami bw'Imana ihoraho **(Yohana 14:6)**. Ntimwinjira muri iryo rembo kiretse mwakiriye Yesu Kristo nk'Umwami n'Umukiza w'ubugingo bwanyu.

**AKAMARO KO GUKIZWA/ KWAKIRA YESU**

**1.** Izina ryawe rica ryandikwa mu gitabo c'ubugingo

budashira.

**2**. Muri ubwo bwami nta ngwara zibayo kiretse ubugingo

budashira.

**3.** Muba muronse ubugingo budashira kuva ubu, hamwe n'ubundi buzima inyuma y'urupfu(nyuma y'urubanza).

**4.** Muba mukingiwe n'Abamarayika bera umwanya uwariwo wose aha kw'isi.

**5**. Ntushobora kurogwa canke guhagarikwa umutima n'inguvu z'umwiza **(Guharura 23:23)**.

**6.** Muba muvuye muri iyi si y'umwiza mugaca muba mw'isi y'umuco irongowe na Yesu Kristo nk'Umwana w'Imana na Yehova nk'Imana y'ubwo bwami.

**7.**Ivyaha vyanyu mwabihariwe, umuvumo mwarawukouweko muri bazima kandi mwaronse umuhezagiro ku bwa Yesu Kristo, **Yesaya 43:25; Yesaya 1:18.**

**8.** Mwaronse inkinzo y'ubwo bwami bw'umuco, mukingiwe ubuzima bwanyu bwose umwanya wose.

**9.** Mushobora kubona kazoza kanyu k'ubuzima imbere y'abandi **(ubuzima bwa kazoza)** kubw'ububasha bwa Mpwemu Yera muzohabwa inyuma y'agakiza.

Nagomba ndagutere intege cane, wahisemwo inzira nziza, wahisemwo umuhezagiro n'ugushiramanga k'ubuzima bwawe bw'ubu n'ubwakazoza. Wahisemwo Yesu wanka Satani, wahisemwo kuja mw'ijuru wanka kuja muri Gehinomu **(Ivyahishuriwe Yohana 20:15).**

**<u>Habaye iki igihe mwakizwa(mwakiriye Yesu mu bugingo bwanyu)?</u>**

Inyuma y'ugukizwa muba mubaye ivyaremwe bisha, muba muvutse ubwa kabiri mw'isi y'impwemu. Mwakiriye Yesu Kristo muba muhisemwo ubugingo bushasha,ubugingo bw'umuhezagiro n'amahoro kuko Yesu ni Umuhezagiro n'amahoro, **Yakobo 3:10.**Mugihe mwasenze musenga kugira mwakire Yesu Kristo mwakoresheje akanwa kanyu, muba muhisemwo rero umuhezagiro ariwe Yesu Kristo ubwiwe, muba mwanse umuvumo. Turabakeje kubw'ivyo, abataremera Yesu Kristo bose (abatarakizwa) babayeho munsi y'umuvumo w'Imana umwe yarekurira kw'isi igihe icaha cinjira mw'isi kuri Adamu na Eva. Kubw'amaraso, twashoboye kwikurako uwo muvumo no kwidegemvya ku bunyagano bw'umuvumo.

**Izindi nyungu muronka mwakiriye Yesu Kristo mu bizima bwanyu:**

**1.**Ivyaha vyanyu vyose biba bihariwe **(1 Yohana 1:9).**

**2.**Izina ryawe riba ryanditswe mu gitabo c'ubugingo budashira co mw'ijuru **(Luka 10:20).**

**3.**Muba mubaye icaremwe gisha **(2 Abikorinto 5:17; Abanyefeso 4:22-24).**

**4.**Muba mukingiwe n'Abamarayika bera umwanya zose **(Zaburi 91:11-12).**

**5.**Muba mubaye icibare gikuru ca Kristo n'Imana aha kw'isi **(Yohana 14:23; Abanyefeso 2:22).**

**6.**Mpwemu yera aca aba muri mwebwe **(1 Abikorinto 6:19).**

**7.**Muba muronse ububasha ku murwanizi n'abakozi biwe, ibikorwa vyabo vyose nta bubasha bibafiseko **(Luka 10:19; Yakobo 4:7).**

**8.**Muzozurwa mujanwe na Yesu Kristo mu gihe azoba aje kujana Ishengero (Abakijijwe)kuko mufise ubugingo budashira **(1 Abitesalonike 4:16-17; 1 Yohana 5:12).**

## ISEZERANO RY'AMARASO YA YESU
## N'UBUSHOBOZI BW'UMUSARABA KURI KIREMWA MUNTU



Amaraso ya Yesu arafise isezerano kuri kiremwa muntu, afise ububasha bwo kunesha umwansi Satani n'ubwami bwiwe na cane cane muri iyi minsi imbere y'ijanwa ry'Ishengero **(Ivyahishuriwe Yohana 12:11).** Twacungujwe amaraso y'igiciro kinini y'Umwami wacu Yesu Kristo w'i Nazareti, twabaye abidegemvya ntitukiri abaja b'icaha (**1 Abikorinto 6:19-20; Yohana 12:11).** Kuva ubu, umwansi Satani nta bubasha akidufiseko,twaronse ububasha,ubushobozi n'ubutwari kubwa Yesu Kristo(**ububasha bw'umusaraba n'amaraso y'Umwami wacu Yesu Kristo)** yamenetse ku musaraba kugira ngo dutsinde intambara kandi tube abidegemvya, no kuba kure yo guhohoterwa n'imigozi y'umurwanizi**.** Isi iriko iraca mu bihe vy'iherezo, igihe twitegurira ijanwa ry'Ishengero **(igaruka ry'Umwami n'Umukiza wacu Yesu Kristo w'i Nazareti)** kw'Ishengero ryiwe ryera**.** Ico gihe nticorose kw'isi kubw'intambara z'amadini zibuza benshi kwinjira mu bwami bwo mw'Ijuru bagaheza bakarangiriza muri gihonomu **(mu muriro)**. Izina rya Yesu Kristo, Mpwemu yera, ijambo ry'Imana n'ububasha bw'umusaraba birakomeye cane, ariko amaraso ya Yesu Kristo arakomeye cane kurusha muri iki gihe gitegura igaruka rya Yesu Kristo**.** Ivyahishuwe Yohana ni igitabo cerekana igihe c'iherezo c'iy'isi turiko ducamwo imbere y'ijanwa ry'Ishengero, inyuma y'ijanwa ry'Ishengero hamwe no guhona kw'isi**.** Ubwami bw'umwiza **(umurwanizi)** bukoresha ububasha bwinshi kugira ngo bubuze benshi guhindukirira Imana nzima kugira babure kujanwa kandi kugira ntibakire agakiza**.**

Turiko duca mu ntamba y'impwemu n'inkomezi z'umubiri ariko ntidushobora gutsinda umurwanizi bidaciye mu bushobozi bwa Mpwemu yera n'amaraso ya Yesu Krisu yagiranye isezerano natwe na cane cane muri iyi minsi y'iherezo, Ivyahishuriwe **Yohana 12:11.**

*"Bamunesheshe je amaraso y'Umwagazi n'ijambo ryabo ryo gushinga intahe, kandi ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa".*

## Ahantu hatandatu amaraso ya Yesu Kristo yamenekeye

**1.Mu maso -** Igihe Yesu yariko asengera ku musozi i Getsemane **(Luka 22:41-44)** ayo maraso yamenetse igihe Yesu yariko asenga, ibitonyanga vy'amaraso mu maso hiwe, abantu baronse icemezo biciye mu maso hiwe, inyenyeri, ukubaho kw'Imana kwaratwemeje ko twari tuboshwe n'umurwanizi.

**2.Mu mugongo -** Igihe Yesu yakubitwa ibimoko mu mugongo, ayo maraso yiwe yakoreshejwe mu kuvura kandi yadukuyeko indwara zose.

**3.Mu biganza -** Igihe Yesu bamucumita imisumari mu biganza, ayo maraso yaduhaye ububasha bwo gukira, kurambika ibiganza ku barwaye kandi bagakira. Twaronse ububasha bwo gukira indwara zose, **Mariko 16:17-18.**

**4.Ku birenge vyiwe** - Amaraso ya Yesu Kristo yakwiragiye ku birenge vyiwe amaze gucumitwa imisumari, yaduhaye uburenganzira bwo gufita, gucisha bugufi no gutsinda ububasha bw'umurwanizi, **Zaburi 91:13; Luka 10:19; Zaburi 60:12.**

**5.Ku mutwe** - Igihe Yesu bamwambika igitsibo c'amahwa, yahanaguye imivumo yose ikiremwa muntu cari caravumwe biciye mw'isi, vyuguruye ugutahura ivyiyumviro vyacu n'impwemu yacu ko tubaye abidegemvya, **Itanguriro 3:17-18.**

**6.Urubavu -** Amaraso ya Yesu Kristo yamenetse mu rubavu umusirikare amaze kumucumita icumu mu rubavu kugira amenye ko yapfuye**.** Amaraso n'amazi vyamenetse: amazi ni amazi y'ubuzima, twebwe abantu twaronse ubugingo budashira kandi amaraso yiwe yanesheje ububasha bw'urupfu aca atugarukanira ubuzima kw'isi **(Yohana 19:33-34; Zaburi 118:17).**

**UBUSHOBOZI BW'AMARASO YA YESU KU BANTU**

Satani aratinya cane amaraso ya Yesu, nico gituma adashaka ko amaraso yiwe akoreshwa kuko afitiye isezerano umwana w'umuntu kandi akaba afise ububasha bwo kumunesha na cane cane muri ibi bihe vy'iherezo**.**

**1.Amaraso ya Yesu -** Afise ubuzima, yahanaguye urupfu yongera kuduha ubugingo**.** Kubw'ubwo bugingo twaronse, yaduhuje n'Imana mu kudusubiza hamwe, **Abaroma 3:25.**

**2.Amaraso ya Yesu** - Yatugize icibare c'Imana, ayo maraso yadukuye mu maboko y'umurwanizi atugira abidegemvya**.** Twabaye icibare c'Imana Ihoraho, ntitukiri aba wa murwanizi.Twacungujwe amaraso y'igiciro kinini, ubu turidegemvya **(Ivyahishuriwe Yohana 5:9; Ivyakozwe n'intumwa 20:28; 1 Petero 1:18-19).**

**3.Amaraso ya Yesu -** Yahanaguye ivyaha vyacu atugira abidegemvya n'ivyaremwe bisha,**Matayo 26:27-28; Abaheburayo 9:22; 1 Yohana 1:7.**

**4.Amaraso ya Yesu -** Aradukingira kw'isi, araduhisha kandi akadukingira ububasha bw'umwiza, indwara zose n'ibitero vy'uburyo bwose vy'umurwanizi.

**5.Amaraso ya Yesu -** Aduha ubwira bwo kurengera no gutsinda intambara y'impwemu turiko turwana na Satani no kutwegereza intebe y'ubwami yo mw'ijuru kuko yatwejeje akaduha n'uruhusha rwo kuja imbere y'Imana, **Abaheburayo 10:19.**

## INDIRIMBO

*Amaraso ya Yesu X3*
*Iradusukura rwose,*
*Ububasha bw'umurwanizi bwaratsinzwe na Yesu X3*
*Shemeza umukiza.*
*Ububasha bw'abadayimoni bwaratsinzwe na Yesu X3*
*Shemeza umukiza.*
*Umunsi umwe Yesu azogaruka X3*
*Aleluya umukiza.*

## UBUSHOBOZI BW'UMUSARABA WA YESU KU BANTU

Hari ubushobozi mu musaraba, kubw'imishishagu ya Yesu, twabaye abidegemvya.Ubushobozi bw'umusaraba bwadukuyeko urupfu buduha ubugingo budashira.Twari twarapfuye kubw'icaha ariko ubu turiho kubwa Yesu.

**1.Ubushobozi bw'umusaraba -** Bwadukirije imishaha. Umushaha ni umuntu w'imbere abaho ibihe vyose, afise mpwemu muriwe, Yesu yamucunguriye ku musaraba amukurako urubanza rwo muri gehonomu aca yinjira mu bugingo budashira (Ubwami bwo mw'ijuru) bw'Imana nzima.

**2.Ububasha bw'umusaraba -** Wadukuye mu bwami bw'umwiza utwinjiza mu bwami bw'umuco bw'Umwagazi w'Imana **(Yesu Kristo w'i Nazareti).**

**3.Ububasha bw'umusaraba** - Waduhaye ububasha bwo gufita no gutwara isi hamwe na Yesu ariwe twishimikiza nka kizigenza aha kw'isi, **Luka 10:19**.

**4.Ububasha bw'umusaraba** - Waduhaye umwidondoro mw'isi y'impwemu ko turi ab'Ubwami bwo mw'Ijuru, twashizweko ikidodo mu ruhanga nk'abegukira Ubwami bwo mw'ijuru. Umurwanizi nta bushobozi adufiseko, twakuweko ubwami no kuganzwa n'umurwanizi Satani.

**5.Ububasha bw'umusaraba -** Waduhaye uruhusha rwo kuba mubazojanwa n'Ishengero.

**6.Ububasha bw'umusaraba -** Waduhaye umuco, biciye muri Yesu Kristo twabaye umuco nka Yesu aha kw'isi.

Kubw'umusaraba wa Yesu Kristo n'amaraso yiwe, nta giciro cobaho twoshobora kubigereranya ukuntu Yesu yaducunguye. Ntimwanduze imyambaro yanyu yera mwambitswe muhejeje gucungurwa kuko muri inzu za Mpwemu yera yatanzwe nk'isezerano igihe mwakira Yesu. Imbere yuko musenga mwizeye, mwitunganye kugira ni mwahagarara imbere y'Imana umurwanyizi ntaronke ico abarega niho amasengesho yanyu azoba nk'umubavu umota neza imbere y'imana. Ababayeho bose bari bakingiwe n'ubushobozi bw'Imana, bari bakikujwe n'umuriro uturira (umuriro utongora), amaraso ya Yesu yari abakikuje ibihe vyose, abamarayika bera barabakingira ibihe vyose kuburyo umwansi atashobora kubashikira.Igihe wakizwa warahinduye igihugu **(wavuye mu gihugu c'umwiza uza mu gihugu c'umuco)**.

✞

## IVYO GUSABA GUFUNGURA AMAFUNGURO N'INGWARA ZITANDUKANYE

### 1. GUSENYA AMASEZERANO MABI YA SOGOKURU N'IGICANIRO KIRWANYA UBUZIMA BWAWE

Data, mw'izina rya Yesu Kristo w'i Nazareti ahoraho, ndasambuye kandi ndasenyuye ibicaniro vyose nubatse canke bifitaniye imigeneranire nanje uko biri kwose vyaba ivyanje, ivy'abana banje canke ivy'abavukanyi. Nkoresheje izina rikomeye kandi ry'ububasha bwose ariryo Yesu Kristo kugira nsambure igicaniro cose c'ikibi catwiganziye. Nditandukanije, umushaha wanje, ubuzima bwanje bwose n'igicaniro cose kibi. Ndungitse abamarayika bera mu bice vyose abarinzi b'umurwanizi bari bararungitswemo kugira bankingire canke bashitse imigambi y'ibicaniro vy'ikibi, ndahagaritse, ndaboshe, ndabaturiye mu muriro mw'izina rya Yesu Kristo. Nkoresheje amaraso ya Yesu Kristo kugira mpanagure, nsambure imivumo yose n'isezerano ryose ryabaye hagati y'abakera na basokuruza b'umuryango wanje, Ivyahishuriwe **Yohana 12:11:**

*"Bamunesheje amaraso ya wamwagazi no gushinga intahe kwabo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa".*

Nkoresheje amaraso ya Yesu kugira nsambure kandi mpagarike amasezerano mabi yose. Ndaturiye n'umuriro wa Mpwemu yera n'ibicaniro vyose kandi mfuse imivumo yose n'ivyagiriji, nkoresheje inkota ariyo jambo ry'Imana, nciye imigenderanire hagati yanje n'igicaniro kandi ndidegemvya. Nkoresheje amaraso ya Yesu kugira mfute izina ryanje mu gitabo c'isezerano ribi kugira ryandikwe mu gitabo c'ubugingo budashira.

Nemereye amaraso ya Yesu Kristo kuzunguruka mu bugingo bwanje, m'umushaha wanje no gufuta umuvumo wose, isezerano ryose no kugarura icibare ca Yesu Kristo kuri jewe. Nkoresheje amaraso ya Yesu Kristo mu kwubaka isezerano risha nayo ko ndi uwiwe kandi ndi icibare c'Imana ihoraho, kuva ubu, sinkiri uwa Satani. Urakoze Mwami wanje Yesu ko unkijije, ko umpariye, ko mbaye uwidegemvya kandi ko nubatse isezerano risha ry'amaraso yawe, **Amen.**

## AMASENGESHO YO KWIGOBOTORA MU BUBASHA BW'UMWIZA

Hamwe n'imfashanyo y'ubushobozi bw'ubutatu butagatifu, ni ukuvuga Imana Data, Imana Mwana n'Imana Mpwemu yera, ndigobotoye ubushobozi bwose bw'umwiza bwamboshe, ndambuye imyambaro yose y'abadayimoni, ya Satani, y'uburozi n'iyibintazi nari nambaye kugira nonone ubugingo bwanje. Nkoresheje umuriro wa Mpwemu yera kugira mpindure umunyota ibintu vyose vyegukira ubwami bw'umwiza mw'izina rya Yesu Kristo. Ndakuyeho intambamyi zose ziri mu nzira zoshobora kumbuza gushikira intumbero yanje nziza. Nkoresheje inyundo ariyo Jambo ry'Imana, nsambuye igisika cose canke umusozi wose canke intambamyi yose yitambika imbere kugira impagarike. Kubw'amaraso ya Yesu ndafuse ikimenyetso cose canke ikivuga cose, ikidodo (ikimangu) nahawe mw'isi y'umwiza kimenyekanisha nk'umuntu akorera Satani. Ndasambuye isezerano ryose ry'umwiza twagiranye biciye mu nyambaro, mu mfungurwa no mu ndoto mw'izina rya Yesu. Ndemereye izuba ry'ubugororotsi ryakire ubugingo bwanje bwose guhera ubu kandi ndetse umuriro wa Mpwemu yera uturire imigambi n'imigabo yose mibi y'abansi banje mw'izina rya Yesu Kristo.

Nkoresheje amaraso ya Yesu Kristo, nsambuye igicaniro cose kibi, nkomvomvoye ikimazi cose kibi catanzwe kubw'ubugingo bwanje. Nzibije amajwi yose mabi, nemereye amaraso ya Yesu Kristo avuge ivyiza ku bugingo bwanje. Ndahanaguye igitutu cose n'umushaha wanje biri muri ivyo bicaniro, ndiganzuye. Nduguruye ubutunzi bwanje, ncakiye ubutunzi bwanje ndabusubiyeko n'amahera yanje yari yihagiwe n'umurwanizi mw'isi y'umwiza. Ngarukanye ivyari vyaribwe vyose n'inyenyeri, kwemerwa n'ubukwe, ndavyesheje amaraso ya Yesu Kristo. Nemereye ububasha bwa Mpwemu yera ko bunkoresha kandi ko bunkingira ubuzima bwanje bwose no kunkura mu ngoyi z'umwiza. Urakoze Mwami Yesu ko umbohoye, **Amen.**

**AMASENGESHO KU BANA BACU**

Mwami Yesu, nzanye abana banje bose imbere yawe, ndabagushikirije kugira bakubahe, baguhimbaze mu kuri no mu kugororka nk'Imana yabo mw'izina rya Yesu, **Matayo 19:14:**
*"Yesu arababwira ati,nimureke abana bato, ntimubabuze kuza aho ndi, kuko Ubwami bwo mw'Ijuru ari ubw'abameze bartyo".*

Twaremeye kugukorera Mwami w'Abami, Imana ihoraho nk'Imana yacu yonyene. Ntandukanije abana banje n'ivyitwa izindi Mana vyose mw'izina rya Yesu Kristo. Nkoresheje amaraso ya Yesu kugira ndabatandukanye n'amasezerano yose yafatanijwe nabo haba mu kumenya canke mukutamenya, abana banje ndabaragije amaraso ya Yesu Kristo ubuzima bwabo bwose, aho bazokwinjira hose canke basohoka, ivyo bazofungura n'ivyo bazonywa vyose ndabipfukishije amaraso ya Yesu.

Ndabatandukanije n'abagenzi canke abigisha bose bakorana n'ibigirwama vy'isi. Ndahakanye ko gehinomu n'urupfu bigira ububasha ku bana banje. Ndabatiuyeko imigisha, amahoro, impwemu y'ubwitonzi, kugira amakenga, impwemu y'ukuri, ubwenge, gutera imbere n'impwemu yo kurora Imana ubu no gushitsa ibihe vyose. Urakoze Mwami Yesu ko uhariye abana banje, ukaba ubabohoye, **Amen.**

## GUSENGA UBUGENI BWACU

Mw'izina risumba ayandi yose, izina rya Yesu Kristo w'i Nazareti, ndatwikiriye ubukwe bwanje n'amaraso ya Yesu. Oh! Mwami Yesu, ndaguhamagaye ukure ubukwe bwanje m'ububasha bw'umwiza. Mw'izina rya Yesu, ndategetse intumwa zose z'umwiza zatumwe kugira zikurikirane kandi ngo zice ubukwe bwanje (urugo rwanje) zigwe kandi zipfe mw'izina rya Yesu Kristo. Nkoresheje ububasha bw'amaraso ya Yesu Kristo ngo buhanagure umuvumo wose, ivyipfuzo n'imigabo y'abadayimoni ku bukwe bwanje. Ndavumbuye abansi bose banyegeye ndabaranduye mw'izina rya Yesu. Ndanse ko ubukwe bwanje buzosamburwa, ntibuzosamburwa, nta n'impwemu y'ubumuga buzokwica ubukwe bwanje mw'izina rya Yesu. Ndahagaritse imanza zose n'ivyagiriji ku rubanza rwanje rw'ubukwe kubw'amaraso ya Yesu Kristo. Mpwemu yera sambura, randura igisika cose, intambamyi itambitse imbere y'ubukwe bwanje mw'izina rya Yesu. Jewe ubwanje n'inzu yanje twahisemwo gukorera Umwami Mana nzima. Ndugaye amarembo yose y'impwemu mbi ko atazoshobora guhangana n'ubukwe bwanje. Nezesheje amarembo yanje yose amaraso ya Yesu Kristo kuva ubu no gushitsa ibihe vyose.

Nkikuje uruzitiro rwanje umuriro kandi, ubukwe bwanje ndaburagije amaraso ya Yesu ibihe vyose. Kaze Mwami Yesu utunganye ubuzima bwanje, ubukwe bwacu n'ubutunzi kuva ubu gushitsa ibihe vyose, **Amen.**

## ISENGESHO RY'UGUSHIMA

Data, nicaye mu kibanza co hejuru, ndaje imbere yawe n'ugukenguruka kwanje kuvuye ku mutima. Urakoze ku buzima, impwemu, ubuzima n'urukundo unfitiye biciye kuri Yezu Kristu nk'umuhuza wanje kuri wewe. Urakoze kurwanya abansi banje ukantora ngo mbe umwe mu bana bawe bakwiye kwinjira mu bwami bwawe budahera. Urakoze kunkingira abamalayika beranda badasinziriye ijoro n'umurango, ukankingira abansi banje bose urakoze kunharira ivyaha vyanje vyose nakoze ukankura mu nguvu z'umwiza.Ririmba indirimbo zitatu zo guhimbaza Umukama maze urangize ugusenga kwawe. Urakoze Mwami Yesu ku rukundo rwawe **Amen.**

## UBUTUMWA BWANJE KURI MWEBWE

Soma ijambo ry'Imana (Bibiliya), mwisonzeshe, musenge cane, mukore ibikorwa vy'ubuntu, mwumvirize ijambo ry'Imana biciye mu bakozi bayo b'ukuri kandi mubere maso ukugororoka kwanyu. Ndabipfurije imigisha myinshi n'intsinzi mu rugendo rwanyu rw'agakiza. Mubeho ubuzima bwo kugororoka kugira mube nk'umwe mu batoranijwe / bera barindiye kujanwa.
*Nimba mwafishijwe n'iyi nyigisho, murashobora guterera kugira dusohore ibindi bitabo vyinshi n'abandi baronke ugukira, no kwakira agakiza kubuntu nkuko nawe washikiwe kugira nabo binjire ubwami bwo mw'ijuru , Imana ironke iminyago myinshi ku musi w'iduzwa.*

Terera ishikanwa ryawe ukoresheje izi numero :

**Izina : Jesus Christ Ambassadors**
**M-Pesa : +255755734678**
**Igihugu : Tanzania**

Uhoraho abahezagire cane, abongere iyo mugabanutse kandi yibuke itunga ryawe ryo mw'Ijuru, **Amen.**

**Umwanditsi w'ico gitabu;**
**Petrida Karch,**
**Imeyiri: petridakarch@gmail.com**
**Telefone: +491758114293**